

1000 FBU



# RUMURIKIRANGABO

MENSUEL

N° 154 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Ntwarante 2021



## Umukuru w'igihugu c'Uburundi yaragendeye kontenja y'Uburundi ikorera muri MINUSCA

P.3



## Umushikiranganji aritayeho ibikorwa vy'iterambere rusangi

P.4



## Abasirikare b'abakenyezi bahimbaza umusi mukuru mpuzamakungu waha-riwe umukenyezi

P.5

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants, Avenue Ngendandumwe * B.P. 2705
Tél.: (257) 22 21 30 56 - (257) 22 21 44 73 * Fax: (257) 22 24 25 90 * E-mail: rumurikirangabo@yahoo.fr
Site Web: www.mdnac.bi

## Equipe de rédaction

**Directeur du Journal**
Col. BIYEREKE Floribert

**Rédacteur en chef**
Maj. CIZA Anatole

**Secrétaire de Rédaction**
Maj. MANIRAKIZA Oscar

**Correcteur**
Maj. NGEZAHAYO Serge

**Rédacteurs**
Lt-Col. GAHONGANO Emmanuel
Maj. Ndayiragije Côme
Maj. Nkengurutse Mélance
Maj. NDAYISABA Roger
Maj. NYABENDA Gervais
Capt. NZAMBIMANA Norbert
Capt. NTAKARUTIMANA Ruth
Capt. HABOGORIMANA J. Bosco
Lt. MIZERO Dauphine Axelle


# Uburundi bubandanya bushigikira abanyacentrafrika

Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste aherutse kugira urugendo mu gihugu ca Centrafrika ku va kw'igenekerezo rya 28 gushika ku rya 31 ntwarante 2021. Urwo rugendo rwerekana umwitwarariko w'Uburundi mu gushigikira igihugu ca Centrafrika kugira kironke amahoro n'ugufatana mu nda, rwatumye umukuru w'igihugu c'Uburundi amara imanza zibiri. Ku ruhande rumwe yaritabiriye ibirori vyo kurahira k'umukuru w'igihugu Faustin Archange Tuadera aheruka gutorwa kugira asubire arongore ico gihugu. Ku rundi ruhande, umukuru w'igihugu c'Uburundi yaragendeye kontenja y'Uburundi iri mu rwego rwa MINUSCA ku cicaro gikuru kiri Sibut mu ntara ya Kemo.

Mu kwitabira ibirori vy'ukurahira k'umukuru w'igihugu ca Centrafrika, umukuru w'igihugu c'Uburundi Ndayishimiye Evariste yarerekanye ko ashigikiye abategetsi ba Centrafrika , arerekana kandi ko Uburundi buzokwama na ntaryo bushigikira umwenegihugu wo muri centrafrika gushika naho ico gihugu kivukanyi kizoronka amahoro arama.

Ico gihugu ca centrafrika kiriko gisamburwa n'imirwi igwana, kiriho ku nguvu zidasanzwe z'amakungu ku ruhande rumwe hamwe n'interenano idasanzwe y'ibihugu vyo muri Afrika ku rundi ruhande.

Twokwibuka ko Uburundi bwabaye mu bihugu vya mbere vyo muri Afrika vyagiye gushigikira igihugu ca centrafrika mu gihe bitari vyoroshe muri kahise. Mu gukora ivyo, Uburundi bwarerekanye kandi ko butahura uruhara rw'abanyafrika mu gutorera umuti amatati ari muri Afrika. Mu kuja gufasha igihugu ca centrafrika, ukwitanga k'Uburundi kwari mu ntumbero yo kubandanya mur'iyo ngendo yari yarafashwe imbere y'ico gihe. Uburundi bwaritanze muriyo ngendo nyene mu 2007 mu kuja gufasha igihugu ca Somaliya kugira kironke amahoro. Nk'uko vyama bishikirizwa, kazoza k'ibihugu muri kino gihe hariko haraba ihindagurika kur'ino si birajanye n'ukugene igihugu citunganije canke gifashanya n'ibindi. Umwitwarariko mu vyerekeye umutekano ntibikiri ikibazo c'akarere gusa mu bisanzwe kuberako ukutumvikana kurashobora guhinduka kukarengera akarere kubera iterabwoba. Amakungu rero asabwa guterera mu gihe hadutse ukutumvikana mu gace aka canke kariya kagize isi. Turakeje ukwitanga kw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU n'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika mu kurondera amahoro arama muri Afrika eka mbere n'ahandi.

Urugendo rw'umukuru w'Igihugu c'Uburundi Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste mu gihugu ca Centrafrika kabaye kandi akaryo keza ko kugendera inteko z'Uburundi zikorera mu rwego rwa MINUSCA. Akaba yagendeye inteko z'Uburundi ziri ku cicaro gikuru ca kontenja y'Uburundi aho bita Sibut. Urugendo nkurwo rurahambaye cane kubera ko rwerekana ko abategetsi bakuru bakuru bafise ku mutima ubutumwa bw'amahoro buriko burangurwa n'izo nteko z'Uburundi murico gihugu ca Centrafrika. Abo betegetsi bakuru bakuru b'igihugu c'Uburundi barakenguruka ukwitanga kw'inteko z'Uburundi muri urwo rugamba. Urwo rugendo ni akaryo keza kandi ko gutera intege inteko z'Uburundi zagiye kugarukana amahoro muri ico gihugu, bikaca bituma izo nteko zigira inguvu gusumba mu kazi kabo ka minsi yose.

Aha twovuga tutadeha ko amakungu yitanze mu kurondera amahoro murico gihugu ca Centrafrika. Twomenyesha kandi ko ibihugu vyo muri Afrika vyafashije cane kandi nubu bikibandanya kugira igihugu ca Centrafrika kive burundu mu ntambara kirimwo. Naho biruko, twoba twihenze cane twibagiye uruhara rudasanzwe rw'abanyacentrafrika bonyene mu kurondera amahoro mu gihugu cabo. Nkuko aribo bambere bashobora gukamisha amahoro mu gihugu cabo, abanyacentrafrika bategerezwa gufata iyambere muri urwo rugamba rwo kurondera amahoro n'ugufatana mu nda vyo soko ry'ubutunzi n'iterambere rirama mur'ico gihugu cabo.

***Col BIYEREKE FLORIBERT***

# Umukuru w'igihugu c'Uburundi yaragendeye kontenja y'Uburundi iri muri Centrafrika

*Kontenja y'Uburundi iri mu butumwa bwo kugarukana amahoro muri Centrafrika yaratewe iteka ry'ukugenderwa n'Umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba na Kizigenza w'inzego z'umutekano n'ukwivuna abansi, Prezida Ndayishimiye Evariste. Urwo rugendo akaba yarugize inyuma y'ibirori vyo kurahira ku mukuru w'igihugu ca Centrafrika. Yakiriwe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime aho yari yagendeye izo ngabo ku va ku wa 28 gushika kuwa 31 Ntwarante 2021.*



*Umukuru w'igihugu c'Uburundi agendera Kontenja y'Uburundi ikorera muri MINUSCA*

Mu bintu bikuru bikuru bituma ingabo ziri ku rubuga, haba mu gihugu hagati canke mu mahanga zikora zinonokewe, kugenderwa na Kizigenza w'inzego z'umutekano n'ukwivuna abansi hamwe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi bifise uruhara ruhambaye mu kuzongerereza intege. Amaze gushika ku kirindiro gikuru ca kontenja I SIBUT, Umukuru w'igihugu c'Uburundi Jenerari-Majoro Ndayishimiye Evariste yakiriwe n'umukuru w'uwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ari kumwe n'uwurongoye kontenja hamwe n'intwazangabo zirangurira imirimo muri yo.

Mu kiganiro yagiranye nabo,Prezida Ndayishimiye Evariste yarashimiye izo ngabo mbere anamenyesha ko Reta ishima ibikorwa vyazo. Yagize ati, "Ubwa mbere nagira ndababwire ko kuba muri ngaha ari iteka ku gihugu cacu. Uburundi burahimbarwa no kuba bushobora kwerekana ko bushoboye nabwo kwitangira kiremwa muntu kw'isi. Niyo mpamvu nagira ngo ndabakeze ku kuntu mwitanga mu gaserukira neza igihugu cabibarutse"; nkuko yabandanije abishikiriza. Hanyuma yaciye abacira ku mayange ingene mu gihugu vyifashe mu bisata bitandukanye vy'ubuzima bw'igihugu, guhera ku bikorwa bikuru bikuru vyaranguwe n'imigambi y'iterambere rusangi igihugu kiriko kirashira mu ngiro.

Urwo rugendo rw'Umukuru w'igihugu c'Uburundi muri Centrafrika rwakurikiye urw'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Jenerari Niyongabo prime. Imbere yuko umukuru w'igihugu c'Uburundi ashika mu karere gakoreramwo kontenja y'Uburundi iri muri Centrafrika, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, nawe yari amaze kugendera ibirindiro bimwe bimwe vy'ingabo z'uburundi ziri murico guhugu ca Centrafrika. yabanje kubasigurira ko yabagendeye mu ntumbero nyamukuru yo kubisangira ku kivi, bakarabira hamwe uko ubutumwa bumeze muri rusangi, hamwe n'intambamyi bafise zobabuza kurangura ubutumwa neza. Yaranashimye kandi ukuntu izo ngabo zamwakiriye neza we n'abo bari bagendanye, hamwe n'ingene bitanga batiziganya mu gukingira abenegihugu ba Centrafrika, ati; "Mfashe aka kanya ngo ndabashimire ku butwari bwanyu hamwe n'ukuntu muriko murarangura neza ubutumwa mujejwe kuko ibikorwa vyanyu birashimwa hose ".

Mu rukurikirane rw'ingene yagendeye ingabo z'Uburundi zi mu rwego rwa MINUSCA, Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw''Uburundi yaragendeye kandi ibirindiro vya Grimari na Dekoa bisanzwe biri ku birometero 120 na 73 uva i SIBUT. Aho hose yarakeje ingabo ku butwari bwazo na cane cane ku kuntu zitanze gushika no gutanga ubuzima mu mirwano yabaye muri Kigarama 2020. Yaciye abasaba kugumana umwete bakamiza ku muzirikanyi za nkingi zigize igisirikare c'Uburundi, abipfuriza no kurangiza ubutumwa ata gasembwa.

Umukuru w'igihugu c'Uburundi, muri urwo rugendo yagize I SIBUT, yari kumwe n'Umukuru w'ingabo za MINUSCA, Jenerari w'Ingabo SIDIKI Daniel TRAORE, ivyo navyo bikaba vyarongereje intege inteko z'Uburundi ziri mu rwego rwa MINUSCA.

***Capt NZAMBIMANA NORBERT***

# Umushikiranganji aritayeho ibikorwa vy'iterambere rusangi

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yarifatikanije n'abajejwe intwaro hamwe n'abanyagihugu bo muri komine Ntega mu ntara ya Kirundo mu bikorwa rusangi vyo wa 27 ntwarante 2021.*

Mu ntumbero yo gutera intege abanyagihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba Ir. Alain Tribert Mutabazi yarifatikanije n'abajejwe intwaro n'abanyagihugu bo muri komine Ntega mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Ivyo bikorwa vyatanguriye kw'ishure shingiro rya komine Ntega, aho umushikiranganji yifatinkanije n'abanyagihugu mu gikorwa co kuronsa amazi meza iryo shure mu ntumbero yo guteza imbere isuku. Yaciye abandaniriza ibikorwa ku biro vya komine ntega mu bikorwa vyo kwongereza ibiro vya komine. Inyuma y'aho, umushikiranganji Alain Tribert Mutabazi yaciye aja kwifatikanya n'abanyagihugu mu bikorwa vyo kwagura ishure shingiro rya Musumba mu ntumbero yo kurironsa igice ca kane (4ème cycle) n'ukuvuga guhera mu mwaka w'indwi gushika mu w'icenda,



Umushikiranganji mu bikorwa rusangi mu ntara ya Kirundo

Mw'ijambo yashikirije, yarateye akamo abanyagihugu b'intara ya Kirundo muri rusangi n'aba komine Ntega cane cane ko borushirizaho inguvu mu kwitabira no gufashanya n'abajejwe intwaro kurangura imigambi y'iterambere rusangi. Yaranateye akamo imvukira zose ku mitumba yose ko bokwitaho iterambere ryaho bavuka.

Umushikirananji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yasozereye urwo rugendo muri komine Vumbi aho yarorereye urukino rwahuje umugwi Intore FC w'intara ya Kirundo n'umugwi Etoile wa komine Vumbi. Urwo rukino rukaba rwarangiye iyo migwi inganya ibitsindo bibiri kuri bibiri. Musitanteri wa komine Ntega, kw'izina ry'abo arongoye, yarashimye uko Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yitaho cane iterambere rya komine Ntega asanzwe avukamwo. Akaba yiyemeje ko azobandanya ahimiriza abanyagihugu arongoye kwijukira ibikorwa vyo kwitezimbere n'ivy'iterambere rusangi.



Umushikiranganji mu bikorwa rusangi mu ntara ya Kirundo

***Maj NKENGURUTSE MELANCE***

# Abasirikare b'abakenyezi bahimbaza umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe umukenyezi

*Abakenyezi bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi barifadikanije n'abandi bakenyezi bo kw'isi mw'ihimbazwa ry'umusi mukuru wahariwe umukenyezi,wama uhimbazwa igenekerezo rya 8 ntwarante uk'umwaka utashe. Ibirori bikaba vyabereye mu ntara ya Gitega aho vyanatewe iteka n' umukuru w'igihugu c'uburundi Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste.Mur'ivyo birori bamwe mu bakenyezi bakaba bararonkejwe agashimwe n'umukuru w' igihugu harimwo na Liyetena koroneri Niyokindi Marie Ange.*



*Idefire y'abasirikare b'abapfasoni ku munsi mpuzamakungu wahariwe umukenyezi*

Mw'ijambo ry'uwo munsi Umukuru w'igihugu c'Uburundi Prezida Ndayishime yamenyesheje ko umunsi mpuzamakungu wahariwe umukenyezi ari akaryo keza ku bakenyezi ko guhakana bivuye inyuma ikumirwa iryari ryo ryose. Yaciye yibutsa ko abakenyezi atari intango y'iterambere mu miryango bahurikiyemwo ahubwo ari nabo mushinge w'iterambere rirama mu gihugu muri rusangi.Yaciye abasaba ko boba akarorero keza mu bisata bitandukanye bakoreramwo no mu mabanga atandukanye basanzwe bajejwe mu kwerekana ubumenyi bwabo nico bashoboye.

Umushikirangaji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira Umupfasoni Sabushimike Imelde nawe yamenyesheje ko iyubahirizwa ry'agateka k'abakenyezi ari ryo y'ubahirizwa ry'akateka ka zina muntu muri rusangi. Yashimangiye avuga ko uwo munsi ar'umunsi wo kwirimbura aho kwibaza ko ari umunsi wo kwiganzura abagabo babo. Akaba yaranongeye aramenyesha ko ukwezi kwa gatatu ari ukwezi kwabahariwe ndetse gutegekanijwemwo ibikorwa vyinshi vyerekeye abakenyezi.

Liyetena koroneri Niyokindi Marie Ange, umwe mu bakenyezi bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yaronkejwe agashimwe kur'uyo munsi, arashimishwa no kuba yaratowe mu bandi bakenyezi benshi bari mur'urwo rwego. Kubw'iwe, uyo munsi awufata nk'umunsi mukuru uhereza umwaka kuko utuma bahura n'abandi bakenyezi baje bava mu bisata bitandukanye bigize ubuzima bw' igihugu ndetse ukaba n'akaryo ko gusuzuma ivyaranguwe mu mwaka uheze. Aha akamenyesha ko uruhara rw'abakenyezi mu gisirikare ari ntangere mu rwego rwo kwivuna abansi kuko barangura imirimo nk'iyabandi basirikare bose barangura.

Twobamenyesha ko n'abakenyezi bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi basanzwe bari kurangurira imirimo hanze y'igihugu mu butumwa bwo kugarukana no kubungabunga amahoro muri Somaliya no muri Centrafrika bashoboye nabo nyene kwifadikanya n'abandi bakenyezi bo mur'ivyo bihugu mu guhimbaza umunsi mukuru mpuzamakungu wahariwe umukenyezi.



*Lt-Col Niyokindi Marie Ange aronswa agashimwe n'umukuru w'igihugu*

***Maj NYABENDA GERVAIS***

# « Ibitaro vyakira neza abarwayi bikabakirira heza kandi bikanabavura neza»

*Ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge biherutse gushikiriza ivyaranguwe. Naho ikiza ca Korona 19 hamwe n'uburyo bugorana rimwe na rimwe kugira ngo imigambi y'ibitaro ishirwe mu ngiro, inyubakwa zigezweho zarubatswe izindi ziriko zirabandanya kubakwa kugira abarwaye bavurwe neza kandi bavurirwe heza. Kwitaho abarwayi, gushikiriza ibikoresho no kubirondera, gukarihiriza ubwenge abakozi b'ibitaro hamwe no kwagura inyubakwa nivyo vyitwararikwa buri munsi n'abarongoye ibitaro vy'abasirikare.*



*Jenerari de Brigade Nimburanira Marc, umuyobozi mukuru wa HMK*

Jenerari de Brigade Nimburanira Marc arongoye ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge avuga ko ivyo baranguye vyose mu mwaka w'i 2020 uheze bifise intumbero yo guteza imbere ibitaro, kwakira hamwe no gutunganiriza abahurumbira ivyo ibitaro. Yamenyesheje ko bafashijwe na PSI Burundi, ibitaro biherutse kuronswa ibikoresho bigezweho bikoresha mu kubaga abarwayi hamwe n'icuma gifasha kuvura neza abarwayi b'umugera wa Sida, abarwayi b'igitigu B na C. Mu ntumbero yo kugirira isuku ibitaro, ababirongoye baheruka gutegura neza igice co kuri Morgue hamwe n'ikibanza kivurirwamwo abarwayi b'igituntu. Nk'uko yabandanije abimenyesha, ibitaro vyaramaze gutangura gusubiramwo inyubakwa z'igisata c'indembe kugira bagukirwe iyo bariko barabavura cane cane kubaremvye gusumba abandi. Ikindi yamenyesheje n'uko basubiyemwo uruzitiro rw'ibitaro aho basanuye igice c'uburaruko hamwe n'ico mu burengero.

Igisata c'ubuhinga bwa none kiritabwaho cane kandi kikisunga ubuhinga bugezweho. Kubera ivyo vyose vyakozwe bituma boroherwa mu gutunganya uburyo bwaba ubwinjira canke ubusohoka, haba mu gusansuma umurwayi yituye ibitaro n'ibindi. Ibitaro bikaba vyitunganije neza kandi hakoreshejwe ubuhinga bugezweho kugira hakwirikizwe neza uburyo bwose bukoreshwa n'ibitaro.

Mu migambi ya kazoza yihutirwa y'ibitaro, uwurongoye ivyo bitaro amenyesha ko bagiye kwubaka inyubakwa ikomeye cane izokwakira abagwayi bakeneye kubagwa. Integuro yaraheze gutegurwa kandi n'ikibanza iyo nyubakwa izojamwo caramaze gutunganywa. Iyindi nyubakwa igiye kwubakwa n'iyizokwakira abarwayi ba Korona Virusi hamwe n'uko abarongoye ibitaro bazobandanya borohereza abakozi b'ibitaro mu kubaronsa ibikoresho bigezweho kugira barangure imirimo yabo neza. Ivyo vyose bikaba bifise intumbero yo kworohereza abarwayi bitura ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge.

Ivyerekeye ibibazo bijanye n'iburwa ry'imiti muri pharmacie y'ivyo bitaro, imiti abasirikare b'Uburundi hamwe n'imiryango yabo ngo ntibayironka uko baba bayandikiwe kandi botegerejwe kworoherezwa. Uwurongoye ibitaro amenyesha ko imiti ikena cane cane ukwezi kuriko kurashika hagati aho bica vyibonekeza ko imiryango y'abasirikare igenda muri pharmacie y'ibitaro vy'abasirikare ikabura imiti baba bandikiwe na muganga, ico ahanini cibonekeza kubivuza bataha. Yamenyesheje kandi ko abategerezwa kubazanira imiti n'ukuvuga abatsindiye isoko bazana iyidakwiye bigatuma abanywanyi bibagora. Abo nabo bavuga ko ikiza ca Korona ari co ahanini kibituma hamwe n'uburyo budakwiye neza kugira bazane imiti ikwiye.

Ku barwaye twaganiriye barashima ingene ibitaro bitunganije, ingene bavurwa, isuku riri ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge. Bagasaba ko abakozi boshishikara gushira mu ngiro icivugo c'ibitaro ari co « ibitaro vyakira neza abarwayi bikabakirira heza kandi bikanabavura neza».

***Maj MANIRAKIZA OSCAR***

# Ivyaranguwe n'ishirahamwe CECADM mu mwaka w'2020 birashimishije

*Ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana ry'abasirikare CECADM ryaronse inyungu irenga imiriyaridi zitatu z'amafaranga y'amarundi mu mwaka w'2020. Vyamenyeshejwe n'uwurongoye urwego nshingwantwaro Jenerari Majoro Nduwumunsi Audace mu nama ya bose isanzwe yatunganijwe kuwa 30 ntwarante 2021 kuri mese y'intwazangabo i Bujumbura.*

Nk'uko bisanzwe, ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana ry'abasirikare CECADM riratunganya uko umwaka utashe inama ya bose kugira rimenyeshe abanywanyi uko ibikorwa vyagenze n'umwimbu wabonetse. Umukuru w'urwego nshingwantwaro Jenerari Majoro Nduwumunsi Audace ari nawe yatanze icegeranyo c'ivyaranguwe, yaribukije ibihe bidasanzwe CECADM yakoreyemwo ko vyari ibihe bitoroshe bivuye ku kiza ca korona virisi cahungabanije ubutunzi mw'isi. yabanje gucira ku mayange abari ngaho ingene ubutunzi bwifashe mw'isi muri kino gihe ca korona virisi. Ico kiza catumye ubutunzi bw'isi bukoroka ibice bine kw'ijana. Yabandanije amenyesha ko muri Afirika umwimbu wongerekanye na cane cane muri Afirika y'ubuseruko Uburundi busanzwe burimwo, ubutunzi bwiyongereye ibice bitanu kw'ijana.

Ku vyerekeye umwimbu wa CECADM, umukuru w'urwego nshingwantwaro Jenerari Majoro Nduwumunsi Audace amenyesha ko ubutunzi bwiyongereye gushika ku bice 67,7%. Bwavuye ku miriyaridi 69 mu mwaka w'2019 buja ku miriyaridi 115 n'imiriyoni 7 z'amafaranga y'amarundi muri 2020. Abanywanyi baritabiriye ku bwinshi akamo ka CECADM ko kuziganiriza kazoza kazobasha bakukurutse. Amafaranga aziganywa akaba yaraduze ava ku miriyaridi13, 3 mu 2019 aja ku miriyaridi 16,3 mu 2020. Nk'uko yabandanije abishikiriza, umukuru w'urwego nshingwantwaro yamenyesheje ko ubutunzi nyezina(fonds propres) bwiyongereye gushika ku bice 9,2%. Bwavuye ku miriyaridi 32,9 mu 2019 buja ku miriyaridi 35,7 mu 2020. Yamenyesheje kandi ko CECADM yungutse amahera agera kuri 3. 471. 274. 263 y'amafaranga y'amarundi mu mwaka w' 2020 mugihe mu mwaka w'2019 yari yungutse 2. 776.484.399. Hejuru y'ivyo, bitumwe n'ingene CECADM yoroheheza abanywanyi mu gufata neza neza abayitura, abanywanyi bashasha bagera ku 2106 barinjiye mu 2020.



*Urwego nshingwantwaro rwa CECADM rushikiriza ivyaranguwe mu nama rusangi*

Muri iyo nama nyene, abanywanyi baremeje ingingo zimwe zimwe nko kwongera ikiringo abajejwe gukurikiranira hafi ubutunzi n'ibikorwa vya CECADM hamwe n'ugusubiriza umwe mu bagize inama nshingwantwaro muri kino gihe afatiriwe n'ayandi mabanga. Baremeje kandi ingene amafaranga yavuye mu nyungu azokoreshwa. Ibice 40 kw'ijana bizoja mu kigega c'integabizoza ca CECADM, ibice 20 kw'ijana bizoja mu kigega gitunganijwe n'ibanki nkuru y'igihugu BRB; ibice 10 kw'ijana bizohora bija uko umwaka uheze mu bikorwa vy'inyungu rusangi vy'ukwubaka ishure ry'akarorero, ibice 10 kw'ijana bije mu nyigisho, hamwe n'ibice 20 kw'ijana vy'agashirukabute k'abakozi ba CECADM bama bitanga batiziganya.

Nkuko yabimenyesheje uwurongoye CECADM Koroneri Bigirimana Nestor, hari ibindi bikorwa vyaranguwe n'iryo shirahamwe muri uwo mwaka w'2020. Muri ivyo harimwo kubandanya ibikorwa vy'inyubakwa nshasha y'icicaro gikuru. Harubatswe kandi inyubakwa zigeretse rimwe z'amashami ya Kayanza na Rumonge ubu zikaba zikora ukuri kwamye. Ivyigwa vyo gukorana n'ama banki n'ayandi mashirahamwe yo kuziganya no kuguranana biciye muri mu buryo bugezweho bise "Switch Monétaire National" vyatunganijwe n'ibanki nkuru BRB bikaba vyimirije kuja mu ngiro muri CECADM.

Ku bijanye n'imigambi y'umwaka w'2021, CECADM yashize imbere guheraheza inyubakwa nshasha y'akarorero ifise n'ibikoresho bigezweho, hamwe no kwinjira mu mugambi wo gukoresha uburyo bugezweho aribwo bise « Switch Monétaire National » w'ibanki nkuru y'igihugu BRB.

***Capt NTAKARUTIMANA RUTH***

# Kugwanya umurwi Al Shabaab mu ntumbero y'ugukingira abanyagihugu ba Somaliya

*Intwaramiheto z'Uburundi ziri mu rwego rwa AMISOM i Mir-Tiqwo zaratunganije ibikorwa vyo gutuza umwansi, kw'igenekerezo rya 21 ntwarante 2021, bafadikanije n'ingabo za Somaliya bakorera hafi y'ico kirindiro kugirango batuze umurwi Al Shabaab. Bamaze gutana mu mitwe, umu Al Shabaab umwe yarahasize ubuzima hongera harafatwa ibigwanisho n'amasasu.*



*Lt-col Ntivyishimirwa Ezéchiel ariko ashikiriza amategeko abasirikare arongoye*

Intwaramiheto z'Uburundi ziri mu rwego rwa AMISOM zirabandanya gukingira abanyagihugu ba Somaliya n'ivyabo. Uko bukeye uko bwije, baratunganya ibikorwa vyo gutuza umwansi, bagakizura hirya no hino mu ntumbero y'ugutuza umurwi Al Shabaab ubandanya acura bufuni na buhoro abanyagihugu. Mu bikorwa vyo gutuza umwansi vyatunganijwe n'abasirikare b'ibatayo ya 56 ya AMISOM bakorera i Mir-Tiqwo ku wa 21 ntwarante 2021, baratanye mu mitwe n'umurwi Al Shabaab. Abagize uwo murwi baciye bahunga, ariko umwe muri bo arahasiga ubuzima. Abasirikare b'abarundi bari muri ivyo bikorwa hamwe n'aba somaliya bahafatiye inkoho yo mu bwoko bwa Kalachnikov n'ibikono vyayo bitatu vyuzuye amasasu. Abo basirikare barafashe kandi ikigwanisho gitera ama rokete kiri kumwe n'ama rokete atanu bongera barafata n'ibasitori.

Uwurongoye ibatayo ya 56 ya AMISOM, Riyetena Koroneri Ntivyishimirwa Ezekiel amenyesha ko ashimishwa n'uko abasirikare arongoye bafise umwete n'ubwira hamwe n'ubumenyi bukwiye bwo kwivuna umwansi. Avuga ko bakorana neza n'abajejwe umutekano ba somaliya kandi ko babandanya bongerereza ubumenyi abo basirikare ba somaliya kugirango bazoshobore kwicungerera umutekano w'igihugu cabo muri kazoza. « Imigenderanire hagati y'ibatayo ya 56 n'abanyagihugu ba Somariya na yone imeze neza. Ariko bamwe mu banyagihugu baba mu turere uwo murwi witerabwoba ukigenzura, baracafashwe mpiri na Al Shabaab »; nk'uko uwurongoye ibatayo ya 56 ya AMISOM abandanya abimenyesha.

Ku bwa Liyetena Koroneri Ntivyishimirwa Ezekiel, umurwi Al Shabaab ufise uburyo bwawo bwo kurwana. Bakunze guhagarara kure bagatera ama bombe ku birindiro vya AMISOM. Ubundi buryo uwo murwi w'iterabwoba ushira imbere, n'ugutega ibisasu biturika ku mabarabara canke amayira acamwo abantu. Iyo mitego yitwa ngo itezwe ingabo za AMISOM canke za Reta ya Somaliya, yama irahitana abanyagihugu ba somariya ataco bazira basanzwe baca muri ayo mabarabara baja kurangura imirimo yabo.

Kubera iyo nyifato igayitse y'umurwi Al Shabaab, uwurongoye ibatayo ya 56 ya AMISOM amenyesha ko abasirikare b'abarundi bari kuri ico kirindiro babandanya gutunganya ibikorwa vyo gukizura haba ku murango canke mw'ijoro kugirango batuze canke babuze uburagamo abo bihevyi badasiba kwambura n'uguhekura abanyagihugu.
Abanyagihugu ba Somaliya barashimira intwaramiheto z'Uburundi hamwe n'iza Somaliya ku butwari bubaranga.

***Lt-col GAHONGANO EMMANUEL***

# Abasirikare bagwanira mu mazi bafashe iya mbere mu kurwanya no gutuza ubusuma bwo mu biyaga

*Abasirikare barwnira mu mazi, ni bamwe mu bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Abo basirikare barwanira mu mazi bafise uruhara rukomeye mu gucungera ibiyaga (Tanganyika,Cohoha,Rweru) hamwe no kurangura imirimo yo gukizura muri ivyo biyaga no gukingira mu buryo buhagije inkengera z'ibiyaga vyegukira igihugu c'Uburundi.*

Urwego rw'abasirikare barwanira mu mazi baracungera umutekano mu biyaga bakongera bagakinga uburovyi butemewe n'amategeko. Jenerari de Brigade Bibonimana Venant, arongoye ingabo zirwanira mu mazi yamenyesheje ko ari nkenerwa ko bacungera bakongera bakarinda inzira z'urudandazwa rutemewe n'amategeko rwo mu mazi mu biyaga vya Tanganyika, Cohoha na Rweru kugira ngo uruja n'uruza rw'ibintu n'abantu muri ivyo biyaga bibe mu mutekano nta ngere.



*Jenerari de Brigade Bibonimana Vénant arongoye abasirikare barwanira mu mazi*

Yarongeye aranamenyesha ko umutekano ku mbibe zo mu mazi wifashe neza kandi ko bakorana neza mu guhanahana amakuru n'abajejwe intwaro, abenegihugu hamwe n'ibihugu bibanyi. Nubwo biruko yaragarutse ku busuma bumwe bumwe bwo mu biyaga, ubusuma bw'ubwato n'insenga z'abarovyi hamwe n'urudandazwa rwo mu kinywabi.

Jenerari de Brigade Bibonimana Venant yaramenyesheje kandi ko abasirikare barwanira mu mazi bama biteguye kandi bagavye. Ni muri iyo ntumbero abo basirikare biyemeje gutuza umwansi, kurwanya ubusuma mu biyaga no gutuza urudandazwa rudaciye mu mategeko.

Majoro Ndayisenga Alexis, arongoye ikambi y'abasirikare icungera ibiyaga, amenyesha ko ikambi y'abasikare barwanira mu mazi bakanacungera ibiyaga ifise igikorwa co kurwanya ico cose cotosekeza umutekano mu biyaga. Yaranamenyesheje ko gukizura mu biyaga ari umurimo wa misi yose mu ntumbero yo gucungera no gutsimbataza umutekano mu biyaga. Arongera akamenyesha ko uretse abanyeshure b'ishure ryo kunonosora ivyo kurwanira mu mazi baza gushimangira no gushira mu ngiro inyigisho baba bahawe, ikambi y'abasirikare barwanira mu mazi irigisha abasirikare bato bato ivyo kwoga no gupfundika imigozi ku bwato.




*Abanyeshure bariko bahabwa inyigisho zijanye n'igisirikare kirwanira mu mazi*


Liyetena koroneri Ngenzebuhoro Léonidas, arongoye ikambi y'abasirikare bacungera inkengera z'ikiyaga Tanganyika nawe aramenyesha ko gushigikira ubwigenge bw'igihugu bimwe mu bibugaragaza harimwo kwicungerera imbibe z'igihugu na cane cane imbibe zo mu mazi.

Abasirikare barwanira mu mazi bafise kandi uruhara rukomeye mu migenderanire n'ibihugu biciye mu gucungera imbibe mu mazi kugirango uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu rubandanye mu mutekano ntangere.

***Lt MIZERO DAUPHINE AXELLE***

# Ibikorwa birangurwa n'ibiro bishinzwe gukingira n'ugukwirikirana ivyo gutegekaniriza kazoza abasirikare b'Uburundi

*Ikinyamakuru Rumurikirangabo(IR) caraganiriye n'uwurongoye ibiro bishinzwe gukingira n'ugukwirikirana ivyo gutegekaniriza kazoza abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Kageza Gérard (KG) mu ntumbero yo kumenya ibikorwa barangura kugira abasirikare ahanini bamenye ido n'ido ingene ivyo biro bikora.*



*Koroneri Kageza Gérard , Umukuru w'ibiro bishinzwe gukingira n'ugukwirikirana ivyo gutegekaniriza kazoza abasirikare*

***IR: Mubona ibikorwa mujejwe ahanini bifasha gukwirikirana inyungu z'abasirikare mw'ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi INSS bishimisha abanywanyi b'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba ?***

KG: Ibiro bishinzwe gukingira n'ugukwirikirana ivyo gutegekaniriza kazoza abasirikare vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bijejwe gushira mu ngiro amategeko bahabwa n'ababarongoye; gukingira inyungu z'urwo rwego mw' ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi INSS; gufasha abasirikare baba bagize amasanganya y'akazi hamwe n'indwara zituruka ku kazi hisunzwe amasezerano ari hagati ya INSS n'ubushikiranganji bwo kwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba mukubafasha kuzuza impapuro zisabwa ku musirikare yipfuza kwivuza mu gihugu canke mu mahanga. Abandi ico gisata gifasha n'abegereje kuja mu zabukuru.

***IR: Ni akahe karusho kazanywe k'ibwirizwa inomero 1/12 ryerekeye igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi ?***

KG: Iryo bwirizwa rifise akamaro kanini urigereranije n'iryahahora. Riratgekanya gukingira umuntu wese cane cane ivyerekeye uburyo bw'ugutegekaniriza kazoza haba ipansiyo nyamukuru canke iyunganira, ivyerekeye ibisata vy'ugutegekaniriza kazoza imirwi imwimwe n'ivyo gutegekaniriza kazoza ata gahato, ugukingira abanywanyi ku mashirahamwe y'ugushigikirana mu gutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'ugutegekaniriza kazoza umuntu aronswa imfashanyo atantererano yatanze. Igisata c'amapansiyo naco kikaba kijejwe kurangura ivyategekanijwe abasaza, abamugaye hamwe n'ibikorerwa abasigwa n'uwategekanirijwe kazoza.

Umunywanyi w'ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana INSS ahuye n'ikibazo c'amagara yiwe bitumwe n'ibikorwa vy'akazi kiwe ka minsi yose canke uburwayi bwo mu mutwe, akaba asigaje imyaka cumi y'akazi kugira aronswe ipensiyo yiwe ihabwa abageze muzabukuru, bikaboneka neza ko atagishoboye akazi ka minsi yose,

arafise uburenganzira bwo gusaba ipensiyo imbere y'ikiringo cemewe n'amategeko abandi bayironkerako mu gihe ataburwayi bafise. Ivyo biri mu ngingo ya 74 yo mw'itegeko rishasha. Ni nkuko ingingo ya 75 yo mw'itegeko rishasha itanga uburenganzira k'umunywanyi w'ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana INSS yipfuza gukukuruka asigaje imyaka itanu y'akazi. Ipensiyo y'ubusaza n'ipensiyo y'uwusavye gukukuruka imbere y'imyaka yiwe y'akazi bitangurira ku munsi w'ukwezi kwa mbere yinjiye mu buzima busanze atari ubw'igisirikare mu gihe aba yujuje ibisabwa vyose kandi yaronse ubwo burenganzira ahabwa n'abarongoye urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi.Bikaba biri mu ngingo ya 77 y'itegeko rishasha mu gihe itegeko ryahahora ryavuga ko ipensiyo y'ubusaza n'ipensiyo y'uwusavye gukukuruka imbere y'imyaka yiwe y'akazi vyaja mu ngiro umunsi umunywanyi ashikirije dosiye yiwe ishirahamwe INSS.

Mu gihe umunywanyi w'ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana INSS yitavye Imana canke uwahawe uburenganzira bwo guhabwa ipensiyo y'ubusaza, y'ubumuga, canke bitumwe n'ingwara akaronswa ipensiyo y'imbere yo gukwiza imyaka y'akazi bitumwe n'isanganya canke ingwara isanzwe, bararonswa amahera y'imfobo kuwuhagariye uwitavye Imana, amahera y'icumba ca moroge, amahera yo kumushingura hisunzwe amategeko asanzwe ahari atunganya ivyo twadondaguye.

***IR: Abasirikare (Intwazangabo) bakiri mu kazi bakora mu buryo bugoye kandi buruhisha, ipasiyo yo mu zabukuru bayironswa ku myaka 50, ariko mu minsi iheze harasohotse itegeko ribihagarika kandi ibikorwa barangura vyagumye ari vya bindi. Mubivugako iki?***

KG: Uwategekanirijwe aba afise uburenganzira bw'ukuronswa ipansiyo y'ubusaza iyo akwije ibisabwa bikwirikira: kuba akwije imyaka y'amavuko ishingwa n'amategeko avyerekeye; kuba n'imiburiburi akwije imyaka 15 atanga intererano; kuba koko yarahagaritse akazi gatuma atanga intererano, ipansiyo ikaba idashobora gutanganwa n'umushahara nk'uko tubisanga mu ngingo yaryo ya 72. Iyi ngingo yashizweho hatabanje gufutwa amabwirizwa 100/037 na 100/036 yatanga ubwo burenganzira bwo gutanga ipansiyo hamwe n'umushahara yo kuwa 26 Ruhuhuma 1990.

***IR: Muri iki gihe abakukuruke batashe kuva 2011 n'inyuma yaho bararonswa amafranga ya pansiyo hisunzwe urugero rwo hejuru ntarengwa rwisungwa muri kino gihe, ab'imbere ya 2011 iyo ngingo ntiberekeye. Mwumva hatari agahaze ?***

KG: Ico kibazo nivyo kirazwi, ku bitwerekeye twaragishikirije inzego zidukurira kugira barabe ko hari ico bogenera uwo murwi w'abo bantu. Abo iki kibazo cerekeye basabwa kurindira inyishu ibereye izofatwa n'abarongozi bo ku rwego rw'igihugu.

***IR: Iyo uwakukurutse apfuye, baraha amahera y'imfobo umuryango asize ariko iyo hitavye Imana umugore canke umwana adakwije imyaka 18 ntibayaronswa. Mukivuga ko iki ?***

KG: Mubisanzwe iyo uwakukurutse apfuye umuryango wiwe uraronswa amahera y'imfobo atangwa n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Ku biraba umugore wiwe canke umwana gushika ubu ntaco baronswa ariko twarabishikirije ku baturongoye turarindiriye ico bazokivugako.

***IR: Muri ino minsi yavuba imiryango y'abasirikare iravuga ko imiti itari mike kera ishirahamwe mutuelle ryatanga ubu basanga itakiri ku rutonde rw'imiti bandikirwa. Kugira umurwayi ayironke asabwa kuriha amahera yose umuti ugurwa. Mubivuga ko iki ?***

KG: Ibiro turongoye vyaregereye Umupfasoni Uwimana Marie Noella, ajejwe ubuhinga mw'ishirahamwe Mutuelle kugira atange umuco kubijanye n'urutonde rw'imiti rushasha. Yamenyesheje ko ishirahamwe Mutuelle ryafashe ingingo yo gukoresha ahanini imiti bita génériques ngo kuko ifise ubushobozi bumwe n'imiti bita spécialités.

***Maj MANIRAKIZA OSCAR***

# Abasirikare bararonkejwe inyigisho ku mategeko agenga ingo n'imiryango

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), rubicishije mu gisata kijejwe ubutungane mu gisirikare, rwaratunganije mu burere gisirikare bwose inyigisho ku mategeko agenga ingo n'imiryango, ingene ama sentare ya gisirikare atunganijwe hamwe n'ububasha bwayo. Mu karere gisirikare ka mbere, ico gikorwa cabaye kuva ku wa 9 gushika ku wa 11 Ntwarante 2021.*



*Inyigisho ku mategeko agenga ingo n'imiryango*

Umuryango n'umushinge ukaba n'inkingi bishigikira iterambere mu mibano. Ni mur'iyo ntumbero urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, rubicishije mu gisata kijejwe ubutungane, rwatunganije inyigisho ku basirikare bakorera mu burere gisirikare bwose, inyigisho zari zihagaze ku mategeko agenga ingo n'imiryango, hamwe no kwibutsa ingene ama sentare gisirikare n'ubushikiranzamanza buyakukira atunganijwe hamwe n'ububasha bwayo.

Umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare, Koroneri Hatungimana sylvain, umwe mu batanze inyigisho amenyesha ko intumbero y'izo nyigisho ari ukugira indongozi mu gisirikare hamwe n'abasirikare bamenye ivyo barekuriwe n'ivyo basabwa mu ngo zabo, ariko canecane kubahamagarira kuvavanura n'ingeso zitari nziza zihungabanya agateka k'abandi muri rusangi, n'ak'umuryango vy'umwihariko. Ikindi, izo nyigisho zarizo kumenyesha abasirikare amategeko ajanye n'ubucamanza gisirikare hamwe n'ubushikirizamanza bubukukira, nk'uko vyamenyeshejwe n'umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare.

Mu kurangiza inyigisho zabereye mw'ikambi Muha yo mu karere gisirikare ka mbere ku wa 9 Ntwarante 2021, uwatanze inyigisho yaribukije abitavye ko amategeko y'ingo n'imiryango arayo gusonera mu bihe vyose. Ku bwiwe, inyigisho ku mategeko agenga ingo n'imiryango, hongeweko kumenya itunganywa n'ububasha bw'amasentare gisrikare hamwe n'ubushikirizamanza buyakukira, bizana inyungu idasanzwe ku basirikare bitabiriye izo nyigisho. Yahamagariye abo basirikare kuzigira rwabo kugira ng'umubano no gutekana biganze mu miryango.

Riyetena Koroneri Ndayishemeze Frédéric arongoye ikambi Muha, akaba yari mubitabiriye izo nyigisho, arashima ico gikorwa. Ku bwiwe, izo nyigisho zaje hageze kuko zaje nk'inyishu ku bibazo vyibonekeza rimwe na rimwe mu miryango y'abasirikare, cane cane mu basirikare bari canke bavuye mu butumwa bw'amahoro hanze y'igihugu. Ati : « Izi nyigisho zaje gutanga umuco ku nzira yo gufata mu gihe hari amatati mu muryango».



*Abaronkejwe inyigisho*

***Maj BAZIRUTWABO HERMAN***

# Gufasha no gukingira abanyagihugu niryo hangiro ry'ingabo z'Uburundi za MINUSCA

*Ikontenja ya gatandatu ya MINUSCA ifadikanije n'igisata kijejwe indero n'inyifato ibereye muri MINUSCA, yaratunganije muri Ntwarante 2021, ibiganiro vy'inyigisho ku rwaruka rurongoye abandi mu karere izo ngabo zisanzwe ziranguriramwo ubutumwa. Hakaba hari mu ntumbero yo gusigurira abanyagihugu ibijanye n'ivyaha n'amabi afatiye ku gitsina.*

Ikontenja y'Uburundi ya MINUSCA ni imwe mu ngabo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU ziri mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Afrika yo hagati. Kugira ngo ubutumwa buranguke neza rero, kugwanya yivuye inyuma ivyaha n'amabi afatiye ku gitsina ni igikorwa gikomeye cane kw'ikontenja. Hakaba ari muri iyo ntumbero hatunganijwe ibiganiro vy'inyigisho kugira ngo bakinge ivyaha bifatiye ku gitsina vyohava vyaduka mu karere kayo. Riyetena Ndayizeye Joséline, asanzwe aserukira igisata co gukinga no kugwanya ivyaha n'amabi afatiye ku gitsina mw'ikontenja y'Uburundi ya MINUSCA yarasiguye ihangiro nyamukuru ry'izo nyigisho.



*Isanamu y'umuryango*

Yagize ati, «Ihangiro nyamukuru dufise, n'ukwibutsa no gusigurira abenegihugu na cane cane ababa hafi y'ibirindiro vyacu ico ari co amabi afatiye ku gitsina hamwe no kubabwira inyifato zimwe zimwe bokwirinda kugira bashobore kutagwa muri ayo mabi, maze bazoshobore no kwirinda gushikiriza ibirego bitari vyo mu gihe hoba habaye ivyaha nk'ivyo».

Yabandanije asigura ko ivyo bikogwa biri mu vyipfuzo nyamukuru vy'ikontenja y'Uburundi kugira ngo ishobore gukwirikiza ihangiro ry'Umunyamabanga mukuru wa ONU aho agomba ko ata kwihanganira na gato ivyaha bifatiye kw'ihohoterwa rifatiye ku gitsina. Ku bijanye n'akamaro izo nyigisho zifise Riyetena Ndayizeye Joséline yamenyesheje ko n'ubwo ingabo z'Uburundi zisanzwe zitwara neza ku rubuga, agira ati : « Ni ngombwa gusigurira neza abarongozi b'abandi mu basangwa kugira bamenye ingingo zo kwikingira, banatahure uburyo bokoresha mu kwitwara canke gushikiriza ababijejwe ivyaha bifatiye ku gitsina vyoba vyakozwe n'umukozi wa ONU ».

Ku ruhande rw'abaronkejwe inyigisho bamenyesheje ko zabafashije gukomeza icizere basanzwe bafitiye ingabo z'Uburundi za MINUSCA. Nk'akarorero, umwe yavuze ati ; « Jewe ndahimbawe cane. Nishimikije ivyo nize muri izi nyigisho, ubu umuntu wese yonyitura agomba ko ndamutunganiriza mu gihe yoba yakorewe amabi afatiye kw'ihohoterwa ry'igitsina, nomutunganiriza nkamufasha ivyo yoba yifuza vyose ata gushidikanya », nk'uko yabandanije abishikiriza.

Izo nyigisho zatanzwe mu turere twose dusanzwe turimwo ibirindiro vy'ingabo z'Uburundi za MINUSCA. Aho naho kakaba ari i Sibut, Damara, Dekoa, Kaga-Bandoro, N'Domete, hamwe na Grimari.


*Inyigisho zerekeye ihohoterwa rifatiye ku gitsina*

***Capt NZAMBIMANA NORBERT***

# Integuro nziza kugira bashike ku ntumbero biyemeje

*Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba kugira bushike ku ntumbero yabwo buratunganya bubicishije mu buyobozi bujejwe ivyirwa vy'ubuhinga no kwegeranya ibiharuro ibikorwa vy'integuro y'imigambi kugira babone kumwe inzira yobashikana aho bipfuza.*

Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba; kugira bashike ku vyo baba biyemeje gukora ku mwaka ku mwaka, burakorana n'ibiro bikuru vyo muri ubwo bushikiranganji bijejwe ivyirwa vy'ubuhinga no kwegeranya ibiharuro. Ico gisata gifise intumbero yo gukurikirana ishirwa mu ngiro rya politike y'igihugu mu bijanye n'ivy'ukwivuna abansi; kugira integuro z'imigambi hamwe no kwegeranya n'ugusuzuma ibijanye n'ibihararu mu bushikiranganji.



*Koroneri Barumpishe JM, Umuyobozi mukuru ajejwe imigambi*

Koroneri Barumpishe Jean Marie umuyobozi mukuru w'ivyo biro amenyeshako igisata arongoye gifise akamaro kanini. Akarusho bizanira ubushikiranganji ni uko bibafasha kugira integuro z'ingingo ngenderwako n'impinyanyuro zifasha ubushikirangaji gushika ku migambi yabwo.

Muri iki gihe mu bikorwa vyo mu mwaka w'2020-2021, uwurongoye ivyo biro amenyesha ko bamaze kurangura ibitari bike. Bafadikanije n'abandi mu bagize urwego rw'ukwivuna abansi barasubiyemwo politike y'igihugu ijanye n'ivy'ukwivuna abansi, barasuzuma integuro y'ibikorwa yo mu mwaka w'2016-2020 bakaba barakoze n'integuro yerekana ingene boteza imbere igisata co gutohoza ibiharuro mu bushikinganji bimenyeshwa na . Koroneri Barumpishe Jean Marie.

Mu mirimo yabo ya minsi yose, ico gisata kirahura n'intambamyi. "Nk'uko bisanzwe biri, isi igizwe n'impinduka zigenda ziraba mu bisata bitandukanye bitumwe n'ibihe. Izo mpinduka n'izo ziheza zigatuma haboho ibikorwa vyo gusubiramwo ibitabo vy'imigambi iba itarashirwa mu ngiro kugira bayishire ku mwanya hamwe n'uburyo budakwiye. Ubuyobozi bukuru bujejwe ivyirwa vy'ubuhinga no kwegeranya ibiharuro ni bumwe mu buyobozi bukuru bukukira umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi nk'uko biri mwitegeko ry'Umukuru w'igihugu inomero 100/111 ryo kuwa 30 Munyonyo 2020 risubiramwo itegeko ry'Umukuru w'igihugu nomero 100/158 ryo kuwa 5 Munyonyo 2018 ryishiraho itunganywa gushasha ry'ubuyobozi bukuru mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba.



*Koroneri Barumpishe JM yerekana ivyo baranguye*

***Capt NTAKARUTIMANA RUTH***

# Ukwifurizanya umwaka mushasha w'i 2021 hamwe no kwinjira inyubakwa y'amanama n'imanza

*Ikambi yo ku Muzinda yararanguye ibitari bike mu mwaka uheze w'i 2020. Mu gihe bariko barifurizanya umwaka mushasha w'i 2021, iyo kambi yo ku muzinda yarinjiye inyubakwa yo gukoreramwo imanza ikaba n'ubunywero bw'iyo kambi Rukinjurirangabo kw'igenekerezo rya 09 Ntwarante 2021.*



*Binjira inyubakwa y'ubunyero mw'ikambi yo ku Muzinda*

Ikambi yo ku Muzinda yaratunganije mu bigo vyayo ibirori bijanye no kwinjira inyubakwa yo gukoreramwo imanza ikaba n'ubunywero bwayo kw'igenekerezo rya 9 Ntwarante 2021. Kari kandi akaryo kurabo basirikare ko kwifurizanya umwaka mushasha w'i 2021 bari ku gicaniro. Yishimikije ku vyaranguwe vyashikirijwe n'uwurongoye



*Bateramiye ku gicaniro*

ikambi yo ku Muzinda, uwujejwe ibikorwa vya gisirikare bagwanira hasi, koroneri Nduwimana Alexis, ariwe yari yateye iteka ivyo birori aserukiye uburongozi bw'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, yaramenyesheje ko uburongozi bw'urwo rwego bushima ivyaranguwe n'iyo kambi.

Koroneri Nduwimana Alexis arashima kandi imigambi iriko irategurwa n'iyo kambi, atako amenyesha ko uburongozi bw'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ataco butazokora kugira rushigikire iyo migambi yayo. Arashima kandi ugushira hamwe kw'abasirikare b'iyo kambi n'abajejwe intwaro bo mu nzego zo hasi bari murako karere, mbere bamwe bakaba bari bitavye ivyo birori. Akaba yasavye abasirikare b'iyo kambi kwama na ntaryo bakomeza ukwo gushira hamwe n'izo ndongozi zo mu nzego zo hasi.

Uwurongoye ikambi yo ku Muzinda, Riyetena Koroneri Zino Dismas, yaramenyesheje nawe nyene ko kwifurizanya umwaka mushasha ari akaryo keza ko kwisuzuma kugira barabe ivyaranguwe mu mwaka uheze, ivyagoranye navyo bikosorwe mu mwaka ukurikira.

Ku bijanye n'ivyaranguwe mu mwaka w'i 2020, Riyetena koroneri Zino Dismas yaramenyesheje bikuru bikuru nko gucungera amatora yabaye kuva muri Rusama 2020, kugwanya bimwe biboneka umurwi w'itwaza ibigwanisho mu kwiba abenegihugu muri komine Musigati eka n'ibindi. Ku vyerekeye inyigisho, umurwi ugira mirongo itatu na kane ujejwe gutabara iyo hateye ibiza wararonkejwe impapuro zuko barangije inyigisho. hararunguwe ibikorwa bijanye n'ugukingira ibidukikije muri wa mugambi w'igihugu « Ewe Burundi Urambaye », ibikorwa vyo kwiteza imbere vyerekeye kwagura ubunywero mw'ikambi ya Rukinjurirangabo, harubatswe kandi inyubakwa yaho bagirira imanza eka n'ibindi vyarakozwe. Ku migambi ya kazoza, iyo kambi izoshira imbere gusanura ubunywero buri mur'iyo kambi, mu kubaka izindi nyubako zibiri zizokorerwamwo imanza. Ikaba igiye kubandanya ikarihiza ubwenge abasirikare bayo.

Twobamenyesha ko muvyo ijejwe, ikambi Rukinjurirangabo ituma ingabo zirwanira hasi zishobora kwiyunguruza nkiyo ibiraro vyacitse kandi igatuma ishobora no kuzikingira mu kubaka aho ziba zikoraniye.

***Maj MANIRAMBONA DIOMÈDE***

# Intsinzi ku murwi wa Muzinga Netball mw'ihiganwa ry'umwaka w'2021

*Inyuma y'intsinzi y'umurwi wa muzinga Netball ku murwi wa Flambeaux des jeunes ku bitsindo 61 kuri 28, hakurikiye itangwa ry'ibikombe ku mirwi yabaye iya mbere.Iryo higanwa ryo ku rwego rw'igihugu rikaba ryabereye mu ntara ya Gitega ku ma genekerezo ya 27 na 28 Ntwarante umwaka w'2021.Ku ruhande rw'abakenyezi imigwi indwi niyo yitavye iryo higanwa nayo ku ruhande rw'abakiri bato imirwi itandatu muriyo itatu y'abigeme n'itatu y'abahungu akaba ariyo yitavye.*

Uk'umwaka utashe, ishirahamwe ry'umupira w'amaboko Netball rirategura ihiganwa ribicishije mu mashirahamwe yo mu ntara.Umurwi wa muzinga Netball ukaba ari wo watahukanye intsinzi muri iryo higanwa ndetse ukaba waranaronkejwe igikombe kw' igenekerezo rya 24 Ntwarante umwaka w'2021 ku kibuga c'ishure kaminuza nderabigisha(ENS). Inyuma yaho, hakurikiye ihiganwa ku rwego rw'igihugu aho umurwi wa Muzinga wirahiye umurwi wa Flambeaux des jeunes. Iyo mirwi yose ikaba ari yo mw'ishirahamwe ry'i Bujumbura.

Umukuru w'ishirahamwe ry'umupira w'amaboko Netball Hatungimana Innocent yamensheje ko ayo mahiganwa adategugwa kugira barabe aho abakinyi bagejeje ubuhinga bagereranije n'imyaka iheze gusa ariko kandi ategugwa mu ntumbero yo kuraba aho ubuhinga bw'abahagarikizi n'abamenyereza bugeze na burya uyo mukino usanzwe umaze igihe gito mu gihugu cacu.Yarongeye aramenyesha ko kandi ayo mahiganwa atuma bashobora gutora imirwi ibiri ya mbere yama iserukira Uburundi mu mahiganwa yo mu karere ka Afrika y'Ubuseruko.



Kapitene w'umurwi ashikiriza igikombe umukuru wa Muzinga Netball

Jenerari de Brigade Baratuza Gaspard asanzwe arongoye umurwi wa muzinga Netball nawe yamenyesheje ko iyo ntsinzi ari umusaruro w'imyimeneyerezo uwo umurwi wama uriko urakora. Yarongeye amenyesha ko intumbero nyamukuru y'umurwi wa muzinga atari ukurondera intsinzi mu gihugu cacu ariko bitegura kugira baze babe rurangiranwa no mu karere. Akaba ashimishwa n'uko Muzinga yamana ikibanza ca mbere mu mahiganwa yose amaze gutunganywa kuva uyu mukino ushitse mu gihugu cacu. Akaba asaba inzego zo hejuru zo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gushigikira uyo murwi ku rugero rw'iyindi mirwi ya Muzinga kugira bashobore gutorera umuti w'ibibazo bimwe bimwe, aha akavuga nk'iyinjizwa ry'abakinyi bashasha, agashirukabute, n'amasezerano ku bakinyi basanzwe atari abasirikare.

Tubajije kizigenza w'uwo murwi Kapiteni Niyonkuru Diane kubijanye naho ubuhinga bw'abakinyi abona bugeze, avuga ko ashimishwa n'intambwe bagezeko ndetse n'ukwitanga kudasanzwe abakinyi berekana igihe cose. Aha aranashima intsizi zitandukanye ku mahiganwa yose aba buri mwaka. Yarongeye aramenyesha kwazoshishikara kwama hagufi abakinyi kugira ikibanza ca mbere ntikizigere kibaca mu myanya y'intoke.



Bariko batana mu mitwe

Tukamenyesha ko ku nkino ziheraheza ihiganwa mu mirwi y'abakenyezi, umurwi wo mu nama nshingamateka niwo watahukanye intsinzi ku murwi w'ishirahamwe ryo kuvuzanya rya Leta(MFP) ku bitsindo 43 kuri 17, nayo ku ruhande rw'abahungu,umugwi w'i Ngozi ukaba wirahiye umugwi wa Rumonge ku bitsindo 41 kuri 32.

***Maj NYABENDA GERVAIS***